# 199: Ni nd' azoherera ku Mwami wacu

1. Ni nd' azoherera ku Mwami wacu?
Ni nd' azokwiz' ubutumwa bga Yesu?
Ni nd' azoheba kwifuz’ivy' iyi si,
Akaryaruka wa Mubi Satani?

Ref: Mbega tur' aba nde?
Tur' aba Yesu!
Twar' aba Satani, turamuheba.

2. Ntiturwanir' icubahiro c'isi:
Tugomb' igitsibo kitazobora:
Yesu n'Umukiza, nuko twemere
Guherera ku Mugabisha wacu

3. Yesu yatuguz' amaraso yiwe
Y' ikimazi c'akaburarugero:
Mbe twogaya dut' imbabazi ziwe?
Tumushimire ko yaducunguye.

4. Naho Satani yotond' urugamba,
Ngw’aturwanye cane, ntitumutinye:
Yesu yamuhagazc mu ruhanga,
A ri n' inganji, yaramunesheje!

5. Twandikiwe kub' abasoda biwe,
Ntituyugayuge, twotsindwa dute?
Twihangane cane, tugir' umwete,
Kuko turwanana n' Umucunguzi.

Visit us at burundi.indirimbo.com